# Uruhusha gwo kuja muvyigwa vyubura

Muriko musabwa kwifatanya nabandi muvyigwa vyubura. Imbere yuko mwemera kuja murivyo vyigwa, mutegerezwa guhabwa incamake yivyo vyigwa vyubura. Iyo ncamake itegezwa kuba ifise inkenuzo zibafasha gutahura igituma mwokwifatanya nabandi murivyo vyigwa canke mugafata ingingo yokutaba murivyo vyigwa vyubura.

Imbere yuko mwemeza, uwubingenzura asabwa kubamenyesha ibi bintu :

1. Imigambo yivyo vyigwa , ukuntu bigenda hamwe numwanya bizomara;
2. Intabuko zishobora kubafasha ;
3. Ivyoshobora kubasindira hamwe n' ivyo mushobora kwungukiramurivyo vyigwa
4. Ivyiza bishoboka kubera murivyo vyigwa;
5. Ukuntu inkenuzo zibaranga hamwe niziberekeye bizobikwa ;
6. Uwo mushobora korondera nimwaba mufise ibibibazo ,imyidodombo canke iyo hababayeko ingorane kumubiri yaba gukomereka nibindi.

Bishobotse( kuri bamwe bamwe), uwubijejwe ategezwa kubamenyesha ibi :

1. Inshobosho canke ukuntu muzovugwa nihagira ikibashikira ;
2. Bimwe muvyohava bibashikira ;
3. Niyo haba ibituma umugenzuzi yanka ko mubandanya murivyo vyigwa ;
4. Hagize amahera yongengwako;
5. Ibikurikira niyo mwafata ingingo yo guheba ivyo vyigwa vyubura;
6. Aho muzomwenyeshwa icavuyemwo murivyo vyigwa naho bishobora gutuma mufata ingingo yo guhagarika ivyo vyigwa;
7. Igitigiri cabantu bazoba bari murivyo vyigwa ;
8. Ukuntu mwokwemerera ko bakoresha inkenuzo zerekeye amagara yanyu murico cigwa .

Ingingo yo kwemera kuba murivyo vyigwa iva kuri mwebwe, ntimuzohanwa canke mutakaze ikintu niyo mwafata ingingo yo kutaba muribi vyigwa. Muteyeko igikumu kururu rupapuro muza kuba mwemeje ko mwasiguriwe neza kuvyerekeye ico cigwa cubura, yuko mwemeye kuba

muriki cigwa atagahato . Niyo mwemeza , mutegezwa guhabwa urupapuro rusa nuru ruteyeko igikumu hamwe nivyandikwa vy'incamake yivyo vyigwa vyubura iri mururimi gwicongereza .

**Ibibazo ?**

Nimwaba mufise ibibazo ,imyidodombo vyerekeye iki cigwa canke ingorane zababayeko ku mubiri, murashobora guhamagara umugenzunzi abijejwe mukoresheje inomero ya terefone yandistwe mu ncamake yivyigwa mwahabwe. Nimwaba mufise ikibazo cerekeye uburenganzira bwanyu muriki cigwa, imyidodombo, ingorane zababayeko kumubiri gusa mukaba mudakeneye kubiganiririza uwo umugenzunzi abijejwe, murashobora guhamagara Institutional Review Board Office mukoresheje inomero ya terefone canke amakete yakijambere ( imeyili) yandistwe muriya ncamake yivyigwa .

| ______________________________ | ______________________________ | ______________________________ |
|---|---|---|
| Izina ryuwukeneye kuja muvyigwa | Igikumu ciwe | Itariki |

Ndemeje yuko ariho narindi nkumu siguzi muriki kiringo ci vyigwa vyubura . Ndemeje yuko nzwi kandi nfise ubuhizi bwo gutanga insiguro mukirimi cabahiganwa hamwe no mururimi gwicongereza. Nkaterako igikumu nza kuba nemeje yuko nakoze ibishoboka mugutanga insiguro ikwiye kuwurokenjwe uru rupapuro.

| ______________________________ | ______________________________ | ______________________________ |
|---|---|---|
| Izina ryumusiguzi | Igikumo cumusiguzi | Itariki |